ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU « ITEKA »


Uwo uri wese ubahirizwa

# ICEGERANYO C'INDWI "Iteka n'Ijambo"

## N° 488 kuva kuwa 25-31 Myandagaro 2025

*Ryemejwe n'itegeko shikiranganji inomero 530/0273 ryo kuwa 10 Munyonyo 1994 risubiramwo itegeko nomero 550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma 1991*

***ICEGERANYOC'INDWI « ITEKA N'IJAMBO» n°489 c'ishirshamwe ryo mu Burundi riharanira agateka ka zina muntu «ITEKA»***






***Mu kwibuka umupfasoni Marie Claudette Kwizera, umunyabigega w'umuhari Iteka yanyurujwe ku wa 10 Kigarama 2015. Kuva muri Kigarama 2015 gushika kuwa 31 Myandagaro 2025, n'imiburiburi abantu bashika ku 835 banyurujwe batohojwe n'umuhari Iteka, abashika 85 barasubiye kuboneka abandi 750 gushika ubu barabuzwe irengero. Umugwi w'ishirahamwe mpuzamakungu ukorera ku babuzwe irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi 252[1] babuzwe irengero.***

[1] https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54

**Ishirahamwe ITEKA :**

- ***Ni umunywanyi w' ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu, ni umunywani akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),***
- ***rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka ka zi-na muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.***
- ***Umuhari Iteka ugizwe n'Inani mpuzamashirahamwe 17 ku Ntara hamwe 'ibisata 32***

## *IMPFUNYAPFUNYO*

| | |
|---|---|
| ***CNDD-FDD*** | *: Inama y'igihugu iharanira intwaro rusangi-Urunani rukingira intwaro rusangi* |
| ***CNL*** | *: Ikoraniro ryigihugu riharanira umwidegemvyo* |
| ***DCE*** | *: Ubuyobozi bw'indero mw'ikomine* |
| ***EAC*** | *: Ishirahamwe ry'ubuseruko bwa Afirika* |
| ***FDNB*** | *: Urunani rukingira igihugu* ***c'****u Burundi* |
| ***M23*** | *: Umuhari wo ku wa 23 Ntwarante* |
| ***OTB*** | *: Ishirahamwe rihingura ikawa mu Burundi* |
| ***PSR*** | *: Igipolisi kiraba ivy'ibarabara* |
| ***RDC*** | *: République Démocratique du Congo* |
| ***RN*** | *: Ibarabara ry'igihugu* |
| ***SNR*** | *: Igendereza ry'igihugu* |
| ***UPRONA*** | *: Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu* |

| Urutonde rw'ibirimwo | Urupapuro |
|---|---|


*0. INTANGAMARARA……………………………………………………………………4*

*I. UMWIHWEZO……………………………………………………………………… 4*

*I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE……………………………………………………… 4*

*I.2. ISHUSHO Y'UMUTEKANO……………………………………………………………7*

*II.UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE ……………………………… 9*

*II.1. UBURENGA NZIRA KU BUZIMA………………………………………………9*

*II.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE……………………………………………………9*

*II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'AKAGWI K'IMBONERAKURE…………………9*

*II.1.1.2. ABANTU BISHWE N'ABICANYI BATARAMENYEKANA ……………… 9*

*II.2. UKUBAHANA MURI VYOSE…………………………………………………11*

*II.2.1. IHOHOTERWA RIGFATIYE KU GITSINA…………………………………11*

*II.2.2. UKUBOREZWA IGUFA……………………………………………………12*

*II.3. UBURENGANZIRA BWO GUSHIKIRIZA IVYIYUMVIRO……………12*

*IV. UGUSOZERA N'IMPANURO ………………………………………………………… 13*

## 0. INTANGAMARARA

Iki cegeranyo cerekana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi mu ndwi yo ku wa 25 -31/8/2025. Ikirigo caranzwe n'amatora y'abajenama bo ku mutumutumba mu gihugu. Muri iki cegeranyo,umuhari iteka urihweza kandi ishusho ya politike, ubutungane hamwe n'umutekano. Kiraraba kandi ibintu biserura ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu no muri politike hamwe n'uburenganzira ku mibano-ubutunzi n'imico kama.

Amahohoterwa y'agateka ka zina muntu yabonetse kandi yatohojwe n'umuhari Iteka ameze ugukwirikira : n'imiburiburi abantu 5 barishwe harimwo ibiziga 4 vyatowe, umuntu umwe yaborejwe igufa hamwe na 5 bakorewe ihohoterwa rifatiye ku gitsina harimwo 3 bafashwe kunguvu.

Ahanini abikekwa ko ayo mabi ni abantu bo mu ntwaro, abapolisi, abasirikare hamwe n'urwaruka rw'Imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FDD.

## I. UMWIHWEZO

### I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE

**Amatora y'abahanuzwa jamb oba komine hamwe n'abatwara karatiye**

Ku wa 25/8/2025, amatora y'abatwara imitumba mu Burundi yitabwe na bake kandi yarimwo utunenge twinshi.

**Mu ntara ya Gitega**, naho abajejwe amatora bemeje ko amatora yitabwe o rushimishije, ivyabona vyacu vyemeza ko abanyagihugu batabimenyeshejwe n'abatware. Mu makomine 2 KARUSI na SHOMBO z'iyahoze ari intara ya KARUSI, amatora yitabwe ku rugero rwa 60% kubwo umunywani wa CECI KARUSI. Ku vyo ayo matora, ku mitumba yose, hariho abitoza bashizwe imbere ba CNDD-FDD bategerezwa gutsinda uko biri kose kandi niko vyagenze.

Amakenga amwe amwe ku bijanye n'amatora yararaje ishinga indorerezi. Kubwo isoko ryacu, mu gihe co gutanga imyidondoro mu makomine atandukanye, nko muzindi ntara z'igihugu, abanyagihugu bamenyesheje ko bahuye n'ingorane zo kw'iyandikisha nk'abitoza. Kubwo amasoko yacu dukurayo, abagize umugwi wigenga utegura amatora mw'ikomine barabaremesha ko batazogira intambamyi mu bijanye no kuja ku ntonde. N'aho biri uko, ibiboneka biheruka vyerekana ko intonde za nyuma z'abitoza zagizwe hisunzwe ivyagizwe n'imigwi irongoye umugabwe CNDD-FDD ku mitumba.

Icatangaje abantu gusumvya ibindi ni umukukuruke wo mu gipolisi c'inyamiramabi muri komisariya ya Gitega, yitwa Vincent. Uwo, mugihe co kwerekana abitoza muri karatiye Shatanya III, yasanze izina ryiwe barikuye ku rutonde. Yarituye umugwi utegura amatora muri komine hamwe n'umugwi utegura amatora mu ntara.

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 1)*

Abajejwe amatora baramuremesheje ko,umusi w'amatora izina ryiwe rizoba ririko neza ku rutonde rw'abitoza.

Ariko,kubwo isoko ryacu dukura muri karatiye Shatanya III, ku musi w'amatora, benshi mu batora niwe batoye Vincent wenyene, kuriwe bari fafise icizere. Bakiranye ugutangara gose kubona ivyavuye mu matora biterekana amajwi yiwe. Ibishingantahe twatororokanije bivuga ko amajwi yiwe yahebwe.

Muri komine Muramvya, intara ya Gitega, amatora y'abahanuzwa jamb obo ku mitumba yo kuwa 25/8/2025 yaranzwe n'ubusuma butagira izina kuva muntango gushika ahere.

Mu bisanzwe,Imbonerakure zazunguruka mu mirongo kugira zibutse abatora amazina yo gutora. Abagize utuzu tw'amatora barabonetse bariko baruzuza amakarata yo gutora menshi ku kirindiro c'amatora c'ishure shingirorya Busimba, aho umukuru w'akazu k'amatora Niyonzima Anaclet, yujuje akongera agashira mw'isandugu amakarata y'amatora ashika 10 kumugaragaro bose babona.

Ibintu nk'ivyo vyarabonetse ku kirindiro c'amatora co kw'ishure rikuru rya komine Muramvya.

Kubwo ayo masoko nyene, ubusuma bwibonekeje canecane mu gihe co guharura amajwi aho ku birindiro bimwe bimwe batuguruye amasandugu, ariko intonde z'abatorwa 5 zari zamaze gukorwa.

**Mu ntara ya Butanyerera**, urugero rwo kwitaba amatora yo ku mitumba rwabaye ruto nkuko isoko ryacu rivyemeza kandi kandi yari yuzuye utunenge n'ubusuma. Mu makaratiye Gabiro, Kinyami, Muremera, Gisagara, Rubuye na Shikiro, utuzu tw'amatora twuguruwe bacerewe gatoya iminuta 15 kandi abarongoye utuzu tw'amatora basigura ko gushiraho ibikoresho arico conyene cabitumye. Abagore baritoje na bo nyene naho batari benshi cane.

Ku vyapa vyo mu ma karatiye atandukanye yo mu gisagara ca Ngozi, abitoza barakwiye kubwo abatwara ibirindiro vy'amatora. Muri karatiye Rubuye hari abagore 3 kuri 7 bitoza, iKinyami hari abagore 5 muri 10 bitoza hamwe no ku Muremera hari abagore 4 kuri 9.

Mu ntara yose ya Butanyerera nk'uko abishikiriza Desire Minani arongoye umugwi utegura amatora mu ntara ya Butanyerera, abagore bari ku ntonde z'abitoza ni 1131 kuri 5606 iyo ntara ifise bitoza.

Ubusuma nabwo nyene bwaravuzwe mu ntara ya Butanyerera. Niyonzima Felix be na Ndacayisaba Alexis barafashwe bafise ikarata nyinshizo gutora umwe afise 6 uwundi 7 mu ntumbero yo kwiba amatora. Batanze amakarata bari bafise kugira bagira bibishe. Kubwo ivyabona vyaho, abo bantu 2bavuzwe bafashwe bafise amakarata menshi. Abanyagihugu babibonye barahamagaye uwurongoye akazu k'amatora kandi uwo yaciye ahamagara uwurongoye umugwi utegura amatora ku rwego rwa komine yarahejeje kurengana. Amatora yabandanije ari uko uwuro umugwi w'amatora ku rwego rwa komine agarutse hanyuma abo 2 barahagaritswe baca barajanwa mw'ibohero rya komine Gashikanwa kugira bakorerwe urubanza bijanye.

Ubunsi busuma busa n'ubwo bwabonetse ku kirindiro c'amatora ca Marembo, zone Gisenyi, komine Busoni, intara ya Butanyerera aho abantu 6 bafise amakarata y'amatora atari rwabo birukanywe. Uwurongoye ico kirindiro yamenyesheje ko izo karata zari zarungitswe na benezo, bibaza ko bamwe mu bitoza barondera gukoresha amakarata y'abantu bapfuye, ayo abagiye kurondera akazi mu zindi ntara canke mu mahanga. Yaratomoye ko yabirukanye kuko batari bafise na karangamuntu yerekana bene ayo makarrata, canke urupapuro rubagena nk'abaserukizi. Hafi igihe c'isaha 8, kuri 3142 batora bari bitezwe, 2625 bari bamaze gutora. Igitigiri c'abitoza kuri ico kirindiro ni 8, harimwo abagabo 4 n'abagore 4.

### *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 2)*

Muri komine Kirundo,umuhari ITEKA waramenyeshejwe ko hari umugwi w'Imbonerakure bari bajejwe kubarira abatora uwo batora ku rutonde rw'abitoza. Kandi nta n'umwe yashobora kwanka kubera ubwoba ko bomererwa nabi. Umugwi CECI ntiwari wemeye abandi bantu bitoza batari mu mugambwe uri ku butegetsi kandi imyidondoro yabo yaratawe; kubwo ayo masoko nyene.

**Mu ntara ya BUJUMBURA**, amanyanga ajanye n'amatora y'abatwara imitumba hamwe n'abatwara ama karatiye yaratohojwe. Muri karatiye ya Mugoboka, zone Nyakabiga, komine Mukaza, intara ya Bujumbura, Innocent Bigirimana, umunywanyi w'umuhari w'urwaruka rw'Imbonerakure yari yarose amajwi 641 inyuma yo guharura ariko ivyavuyemwo vyashikirijwe ukundi.

Kubwo ivyabona vyaho, Renovat SINDAYIHEBURA yahoze ari musitanteri wa komine Mukaza yaje kugira atange amategeko ku bagize ikirindiro c'amatora kugira uwitwa Pierre NIMBONA yagira 13 n'amajwi 92, aba uwa mbere.

Abagize umugwi CENI bari barungitswe muri karatiye Mugoboka begeka ku mukuru wa CECI Mukaza Patrick Mbonyumukunzi, kunyuranya urutonde rwamanitswe bukeye amatora yaraye abaye ku wa 26/8/2025. Pierre NIMBONA yaruhiye kuronka amajwi 641 yari ayo kwa Innocent BIGIRIMANA.
Abantu bo muri karatiye Mugoboka bagiriza Pierre NIMBONA gukora amakosa menshi cane cane gusambura inzu y'umupfakazi aho yaramutswa iyo karatiye imbere yo gukurwa n'umushikiranganji w'ico gihe Gervais NDIRAKOBUCA bita NDAKUGARIKA yari ajejwe intwaro yo hagati, umutekano n'iterambere rusangi.

Muri komine Cibitoke, kuri Dogodogo, zone Rugombo, amakarata y'itora yaratanzwe ku bantu bavuye mu gihugu hagati, bemerewe gutora batanditswe ku ntonde z'amatora. Umusirikare yaranarashe Kabiri mu kwirukana imiyabaga 2 yagirizwa kuba barahawe ayo makarata y'ubusuma. Hakwirikiye kubahagarika ariko nta ntankwirikizi n'imwe y'ubutungane yamenyeshejwe. Ku mutumba wa Cibitoke abatora benshi barabonetse bariko batinjiza amakakarata y'amatora menshi mu masandugu, abarongoye utuzu tw'amatora batabinezwe.

Ku mitumba ya Rusiga, Karurama, Rugeregere na Kagazi, abarongoye utuzu tw'amatora bafatanywe itonga bariko Bariba. Kubona barahagaritswe ariko bakarekurwa atarubanza, vyonngereje ishavu ry'abatora.

Muri komine Mugina ku Muyange, abantu 2 barafashwe bafise amakarata yo gutora 19. Barahagaritswe hanyuma bararekurwa ata rubanza na rumwe. Ubundi bunenge busa n'ubwo bwabonetse mu buzu bw'amatora bwa Rusagara, Ruziba, Buhoro, Muhingo hamwe na Butahana, aho amatora yasuzuguwe cane.

Hejuru y'ubwo busuma, amatora yaranzwe no kwitabwa n'abantu bake mu micungararo myinshi.

Ayo matora yoku mitumba, yokomeje intwaro rusangi ku mutumba kandi akegereza abanyagihugu inzego zabo, yasize inyuma yayo umururazi. Hagati y'ubusuma, iterabwoba hamwe no kudakorera ku mugaragaro, abenshi baribaza ubu kuri kazoza k'intwaro rusangi ku mutumba.

**Mu ntara ya Burunga**, imisi mike imbere y'amatora yo ku mitumba yo ku wa 25/8/2025, uruhagarara rwa politike rrwarahungabanije karatiye Kanyenkoko, mu gisagara ca Rumonge. Abitoza 3, Moise Ntirandekura batazira Musore, Habonimana Jean Paul na Venant Issa Havyarimana, bemeza ko bagiriwe iterabwoba hamwe n'iturubikwa rigamije kubabuza kwitoza.

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 3)*

Kubwo amasoko dukurayo, ku wa 14/8/2025, abitoza 4 bo muri iyo karatiye barakuwe ku rutonde rw'abitoza n'umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora muri komine Rumonge biciye kubiri n'amategeko, atamvo n'imwe bamenyeshejwe. Abo rero barituye umugwi utegura amatora ku rwego rw'igihugu, uca ubaha uruhusha rubarekurira gusubira kwiyamamaza. Ku wa 21/8/2025, abanywanyi 3 ba CNDD-FDD Ntirandekura, Habonimana na Havyarimana barahagaritswe n'abakozi b'igendereza ry'igihugu mu Rumonge babagiriza gutegura imyiyerekano itarekuwe n'amategeko, mu kuduza ivyapa mugihe bariko biyamamaza.

Barekuwe n'intwaza ngabo zo mu gipolisi c'inyamiramabi babanje gupfungwa ic'amaso muri komisariya y'intara y'igipolisi mu Rumonge.

I Nyanza-Lac, ku tuzu tumwe tumwe tw'amatora, hariho aba komiseri bahagarara ku mwango w'inyubakwa canke amashure shingiro bariko barahimiriza ko botora ababo mu matora kandi barabaherekeza gushika mu tuzu tw'amatora aho aarorerezi bo muri politike babaherekeza gushika mu bwiherero kugira borohereze abatama hamwe n'abatazi gusoma no kwandika mu kwandika amazina y'abitoza ku makarrata yo gutora.

Kw'ishure shingiro rya Kavungezi, umuyobozi w'iryo shure Ntiranyibagira Frederic akaba n'umukuru w'akazu k'amatora yaracakiwe afise amakarata y'itora ashika n'imiburiburi 50 yujuje yariko agerageza kuyinjiza mw'isandugu afashijwe na 'umwigisha wiwe bose ari abahizi ba CENI. Barahagaritswe n'igipo kw'itegeko ry'umukuru wa CECI iNyanza, Ovain NDIKUMANA.

Kw'ishure shingiro rya Buheka, ivyo nyene vyarabonetse ariko uwabikoze yitwa Pius yahoze ari umuhanuzi wa buramatari wa Makamba ntiyafashwe n'aho abagize CECI baboroze cane batabaza.

Ayandi manyanga asa n'ayo yavuzwe kw'ishure shingiro Gifuruzi na Mukubano, kandi n'aho nyene abakozi b'igendereza barakoresheje ubuhinga bwabo mukubahagarika baciye ku gipolisi Mu micungararo ya Vugizo na Mabanda, ivyo ntavyabayeyo. Intambwe yo guharura yakozwe ikwirikiranwa n'abarorerezi bo muri politike ba CNDD-FDD bonyene.

Kw'ishure shingiro rya Rumonge4, riri mu gisagara hagati, abarongoye utuzu tw'amatora 3, abakora mu tuzu 2 hamwe n'umurorerezi umwe, barahagaritswe kumvo zo kwikekwa ko ubusuma bw'amatora mugihe c'amatora yoku mitumba.

Kubwo amasoko yaho,abarongoye utuzu bacakiwe bafise amakarata menshi yo gutora yujuje. Umwe muribo yari afise kandi amahera ashika 100.000, ivyunyura umwikeko w'uko yagura amajwi canke gufuruguta amatora. Bose uko ari 6 bikekwa baciye ubwonyene bapfungwa ico amaso mu gasho k'igipolisi ka Rumonge.

Imbere y'uko n'umusi w'amatora ushika, umugwi wigenga ujejwe guregura amatora mw'ikomine ya Rumonge wari wamaze ku guza abakozi 18 bo mu tuzu tw'amatora, bafatiwe mu myiyamamazo biyamamariza abantu bamwe. Abo rero baciye bungururizwa ku tundi tuzu tw'amatora.

**Mu ntara ya Buhumuza**, indwi yo kuva ku wa25-31/8/2025 yaranzwe n'amatora yoku mitumba aho ku wa 25/8/2025, abanyagihugu bo mu ntara ya Buhumuza co kimwe n'abo mu zindi ntara bitavye akamo.

Utuzu tw'amatora twuguruwe igihe c'isaha 12 zo mu gitondo nko ku birindiro vyose vy'amatora. Nk'akarorero, utuzu tw'amatora turi ku kirindiro c'amatora c'ishure shingiro Ruyigi,ishure shingiro Sanzu, ishure shigiro Gasanda hamwe n'ishure shingiro Nyamutono, buguruye igihe c'isaha 12 z'igitondo.

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 4)*

Aho bitandukaniye n'amatora yoku wa 5/6/2025 yari afatanye, amatora yoku wa 25/8/2025 ntiyitabwe n'abanyagihugu benshi.

Nk'akarorero,ibirindiro vy'amatora aho abitavye bari bakeya vyari ku birindiro nk'ishure shingiro ya Ruyigi ku kazu k'amatora ka 1 ku 456 batora biyandikishije 181 bonyene nibo bari bamaze gutora igihe c'isaha 5 zo mu gitondo ni ukuvuga urugero rwo kwitaba ruri musi ya 50%.

Kw'ishure shingiro Sanzu,ku kazu kamatora kamwe, mu biyandikishije 452 kuri ako kazu 203 bonyene bari bamaze gutora igihe c'isaha 6; kw'ishure shingiro Gasanda,akazu k'amatora kagira 3, ku biyandikishije 421, abashika 181 gusa nibo bari bamaze gutora igihe c'isaha 5 n'iminota 55.

Kw'ishure shingiro Nyamutobo,ku kazu k'amatora ka 1, ku 324 abashika 158 bonyene nibo bari bamaze gutora igihe c'isaha 6 n'iminuta 5.

Kubwo abarongozi bamwe bamwe, kucatumye hitaba amatora bake dufatiye ku matora yaheruka, bamwe bavuga ko abanyagihugu batabimenyeshejwe bikwiye kandi ngo bahimirizwe.

Ikindi cibonekeje n'uko abanyagihugu kubera kutamenyeshwa ukuntu batora, bategerezwa kubaza abarongoye utuzu tw'amatora uko babigira.

Haribonekeje kandi abantu batazi gusoma n'ukwandika bategerezwa kwitura abarongoye utuzu tw'amatora biteye kubiri n'iyubahirizwa ry'ibanga mu gutora.

Gutorera abandi atacerekana ko babatumye hamwe no kwandika intonde ziyongera z'abatora vyarakoreshejwe nk'ubusuma.

Benshi mu bitoje bari abakozi ba Reta,baribaza ukuntu bazokoranya amabanga abiri. Nk'akarorero muri karatiye Kinyabakecuru hamwe no mu Gasanda abarose amajwi menshi ni abakozi ba Reta b'abigisha.

Kubwo itegeko rigenga amatora ya 2024-2025, ku ngingo y' 171 rivuga ko ikiringo c'uwutwara umutumba canke karatiye ntigifatanywa n'irindi banga rya Reta.

Barindiriye gushira ku mugaragaro ivyavuye mu matora bikorwa n'umugwi wigenga ujejwe amatora mu gihugu hamwe no kwemezwa kwavyo n'abahagarariye ibwirizwa shingiro.

### Uwahoze ari buramatari w'intara ya Bururi yatorewe gutara umutumba mu ntara ya Burunga

Ku wa 25/8/2025, Colonel Leonidas Bandenzamaso, yahoze ari buramatari w'intara ya Bururi yaratorewe gutwara umutumba Nyamiyaga umutumba w'amavukiro, komine Bururi, intara ya Burunga aho uwo mugabo aba ibujumbura yitoje.Ariko rero yaramaze kuguza ibibanza n'uwabaye uwa 2 kubwo umunywanyi w'umugwi utunganya wigenga utunganya amatora muri komine yemeza ko yasomye ikete yandikiye uwo mugwi mu kubisaba.

### Ihimbazwa ry'isabukuru rigira 20 ry'umugambwe CNDD-FDD hamwe n'umusi wahariwe Imbonerakure ku ncuro igira 9

Ihimbazwa ry'isabukuru rya CNDD-FDD hamwe n'umusi wahariwe Imbonerakure ku ncuro igira 9, vyabereye i Gitega ku kibuga Ingoma ku wa 30/8/2025, birakabura kwiyumvira kuri politike y'uno musi mu Burundi.Umukuru w'igihugu Evariste Ndayishimiye yemeza ko amahoro yagarukanywe kandi ko umugambwe wishinze gukomeza kuyatsimbataza, ikintu nyamukuru kw'iterambere ry'igihugu. Ariko rero, ni ngombwa ko tumenya ko ico cizere kitemerwa n'abatavuga rumwe na Reta

hamwe n'amashirahamwe yigenga, bashira ahabona igicapo kibabaje c'itunganywa ry'ubutegetsi hamwe no kutubahiriza agateka ka zina muntu kwa Reta.

Umugambwe FRODEBU nk'akarorero, warerekanye ibintu bitagenda neza aho intwaro mbi hamwe n'igiturire biri mubinegurwa cane, bigakurikirwa n'iyugarwa ry'urubuga rwa politike. Iruhande y'ivyo, igisata c'amashirahamwe yigenga kiridogera igwirirana ry'ibura irengero kunguvu, bikorwa kubwo abo n'itituka ribandanya ry'agateka ka zina muntu mu Burundi, amakenga yashizwe ahabona ku musi mpuza makungu wahariwe ababuzwe irengero.

Amashirahamwe nka SOS Torture Burundi, Umuhari w'abagore n'abigeme baharanira amahoro n'umutekano mu Burundi, hamwe na OMCT, batohoje abantu 26 babuzwe irengero hagati ya Nzero na Myandagaro 2025. Mu mpera, ibirori vyaranzwe n'urugendo rw'umunezero rw'urwaruka rw'Imbonerakure hamwe n'ibiswi vy'inkona, vyakoranije abubahwa batandukanye bo mu mahanga, harimwo abaserukiye Kenya na Afirika y'ubumanuko, hamwe n'abaserukira iyindi migambwe. Uko kwumvikana kw'abavyitavye vyerekana ubusabane bw'imigenderanire mpuzamakungu hamwe n'ukwiyemeza kw'abo vyega mu biganiro vya politike, ariko kandi uruhagarara rutibonekeza rurahari mu cuka c'imibano na politike mu Burundi.

**Ukwmeza abatwara ama zone, abahanuzi babo, abatwara ubuhinga mu ma zone hamwe n'abahanuzi ba musitanteri, mu ntara ya Buhumuza**

Ku wa 26/8/2025, mu nyubakwa y'amanama y'intara ya Buhumuza, harabaye kwemeza abatwara ama zone, abahanuzi babo, abatwara ubuhinga mu ma zone hamwe n'abahanuzi ba musitanteri, bemezwa n'inama mpanuzwa jambo ya komine Cankuzo.

Kubwo amasoko yaho, nta hamagarwa ryo guhiganwa ryabaye, kumanika canke kwakira imyidondoro y'ababishaka ntavyabaye. Uwutwara inama mpanuzwa jambo ya komine Dr Protais Baribarira yabaza musitanteri wa komine, Marie Rose Nahimana gusoma amazina y'abantu bamazwe gutangwa agaca utumirira abagize inama mpanuzwa jambo ya komine ku bemeza mu kuduza amaboko atacongeyeko. Kubwo amasoko yegereye ubutegetsi,amazina yandikiwe mu ngoro z'umugambwe CNDD-FDD hanyuma arungikirwa musitanteri kugira ayasome gusa. Kandi bimeze kumwe mu gihugu cose.

Ukwemeza abatwara amazone, abahanuzi babo, abajejwe ubuhinga mu Mazone hamwe n'abahanuzi ba musitanteri mu cankuzo vyabaye ku wa 26/8/2025 mu nyubakwa y'amakoraniro y'intara ya Buhumuza.

Ariko rero, benshi baridogera uko abo batwara ama zone bagenywe. Abanyagihugu bavuga ko batatumyeko abavyipfuza. Ariko,itegeko nomero 18 ryo ku wa 7/6/2024 rivuga ivy'itunganywa rishasha ry'intwaro muri komine ritomora mu ngingo yaryo ya 71 akarongo ka 1 ko uwutwara zone agenwa na Buramatari atanzwe na musitanteri inyuma yo kwemezwa n'inama mpanuzwa jambo ya Komine.

### *I.2. ISHUSHO Y'UMUTEKANO*

**Ikirwanisho giturika caratowe muri komine Ntahangwa, intara ya Bujumbura**

Ku wa 26/8/2025, kw'ibarabara rya 4 muri karatiye Muramvya, zone Kinama, komine Ntahangwa, intara ya Bujumbura, igisasu giturika caratowe ku metero 30 uva ku wutwara karatiye Remy Ndayongeje.

Abanyagihugu bo mu Kinama bavuga ko gushiraho ico kirwanisho bifise intumbero za politike kubera amatora y'abatwara imitumba hamwe n'amakaratiye atagenze nk'uko yateguwe ku tuzu tumwe tumwe tw'amatora, abagize utuzu bafatanywe amakarata y'amatora yanditseko izina ry'uwutwara karatiye hanyuma barahagarikwa n'igipolisi.

Kubwo ayo ma soko nyene,uwutwara Karatiye yoba yakoresheje uwo mukenyuro kugira yerekane ko abangamiwe kugira asigure ko n'abahagaritswe ngo bivye amatora ari abamushakira inabi.

Abanyagihugu basaba amatohoza akomeye kuri ico gisasu kugira uwo cagira ahanwe kandi abafashwe mu busuma bw'amatora bahanwe atakigongwe kandi hakurikijwe itegeko.

**Ikirwanisho giturika caratowe muri komine Cankuzo, intara ya Buhumuza**

Imbere y'umutaga ku wa 26/8/2025, ku mutumba Nyarutiti, zone Minyare, komine Cankuzo, intara ya Buhumuza, igisasu gisa na gishasha co mu bwoko bwa "defensive" caratowe kinyegehe mu mabuye. Cakiriwe na Gabiel Toyi, ajejwe gukura ibigwanisho bito bito bicira umuriro mu banyagihugu, abimenyeshejwe n'abanyagihugu ahegereye.

**Kugerageza ubwicanyi muri komine Karuzi, intara ya Gitega**

Ku wa 29/8/2025, ku mutumba Rwingoma, zone Buhiga, komine KARUSI, intara ya Gitega, uwitwa Thierry, umunywanyi w'umugambwe CNDD FDD, afise imyaka 45 yarahatswe kwica nyina wiwe MONIQUE na mushiki wiwe ESTELLA igihe yaza kubaturubika imbere y'inzu yabo afise umupanga. Kubwo ababibonye baho, haciye amezi abiri, Thierry na mukuru wiwe STAR NIYONKURU, batanguye gutera ubwoba nyina wabo mu kumwagiriza ko ari imaraya, ko imfura mu muryango ESTELLA atari uwo kwa se wabo Samuel, hamwe n'umwana agira4 muri uwo muryango, Fiacre.

Bashaka kugabura itongo ry'umuryango bakuyemwo abo babiri. Kubwo isoko ryegereye umuryango, abo bana uko ari 4 basangiye se na nyina. Ukudashima kw'abo bavukana 2 b'imborerwa kubatuma batubaha nyina wabo. Abahegereye barashoboye kuhashika hakiri kare hanyuma Thierry aca arahunga amaze kwumva ko nyina wiwe ahamagaye kuri terefone abatware.

**Urugo rumwe rwaratewe n'inkozi z'ikibi zitaramenyekana muri komine Butihinda**

Mwijoro ryo ku wa gatanu, 26/8/2025, ku mutumba Gasenyi, wo muri zone Giteranyi, hafi igihe c'isaha 5 n'igice abasuma bataramenyekana baracumise umwana mu mafyinga, babanje kwinjira kunu kugira bibe. Akamo katumye ababanyibaza gutabara hama abasuma barahunze baja mu mitumba ya Tanzaniya kubera Gasenyi ihana urubibe n'ico gihugu kibanyi. Uwahuye n'ivyago yaciye ajanwa ku bitaro vyo ku Mugano aho ariko aravurirwa bikomeye. Bafatanije n'intwaro ya Tanzaniya, ukurondera izonkorabara birabandanya.

### *I.3. ISHUSHO Y'UBUTUNGANE*

**Abantu 4 bagiriwe n'ubusuma bw'amatora muri komine Rumongeintara ya Burunga**

Inyuma y'umutaga wo kuwa 26/8/2025, muri sentare nkuru ya Rumonge, harabaye urubanza rw'ikibiriraho rw'abantu bagirijwe ubusuma bw'amatora yoku mitumba. Sibomana Abubakar, wo ku mutumba Muturirwa-Minago, komine Rumonge, intara ya Burunga yagirijwe ko afise ikarata 10 z'abatora, Nyabenda Wilson, Bikorimana Eric, Ntakirutimana Euphraim, Selemani Jean Marie bose ku kirindiro c'amatora co mu Rumonge4,ku kazu k'amatora nomero 5, bagirijwe igiturire mu kazu k'amatora, Bikorimana Jonathan yagirijwe gushira mu gasandugu amakarata arenga 20 ku mutumba wa Buranga, komine Muhuta, intara ya Bujumbura, Irankunda Lievin wo ku mutumba Rutumo, komine Rumonge, intara ya Burunga yagirijwe nawe nyene gushira mw'isandugu y'amatora amakarata yamaze kuzuza.

Kubwo ivyabona vyaho,inyuma y'urubanza, sentare nkuru yahanishije ku wa mbere umunyororo w'amezi 3 hamwe n'ihadabu rya 500.000fbu, umugwi wa Kabiri wahanishijwe umunyororo w'amezi 2 hamwe n'ihadabu rya 2000.000 fbu umwe umwe. Uwa 3, umunyororo w'amezi 5 hamwe n'ihadabu rya 800.000 fbu hanyuma uwanyuma wahanishijwe umunyororo w'umwaka umwe hamwe n'ihadabu rya 400.000fbu.

Umuhari Iteka urarajwe ishinga n'ukudahana kumwe vyakoreshejwe ubonye ko mu bumdi burere, abasuma b'amatora batahangayitse kiretse kubapfunga ic'amaso bagaca babarekura amatora aheze.

**Umugabo umwe yagirijwe ubusuma bw'amatora iKarehe, zone Gweza, komine Bururi yo mu ntara ya Burunga**

Ku wa 25/8/2025, ku mutumba wa Karehe zone Gweza, komine Bururi, intara ya BURUNGA, Ndikumana Augustin, afise imyaka 40, umunywanyi w'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD, umwigisha kw'ishure shingiro Nyabudiba, avuka ku mutumba Mirango zone Gitsiro yo muri iyo komine nyene, yari yahagaritswe ajanwa mw'ibohero rya komisariya ya Bururi yagirizwa n'igipolisi ubusuma bw'amatora.

Mu ntahe y'icese yo kuwa 29/8/2025, urwo rubanza rwaciwe mu zindi z'itonga kandi uwuserukira Reta yagiriza uwo mugabo yari arongoye akazu k'amatora kari kw'ishure shingiro Nyabiraba ko ku musi w'amatora yok u mutumba yafatanywe amakarata 38 y'amatora yujuje mu ka bweta iruhande y'agasaho kiwe muri ako kazu k'amatora.

Uwagirijwe yaraswe kuvyemera mu kuvuga ko agasaho kagaragara ariko kari akiwe vyumvikana ko ari irementanya ryateguwe n'umugwi w'abantu bashize ayo makarata muri nya ka bweta iruhande y'agasaho kiwe kagaragara.

Uwuserukira Reta yagirije uwo mugabo kwinjira muri ako kazu afise agasaho mugihe bibujijwe ariko atavuze ibituma. Uwagirizwa yasavye ko parake yogira amatohoza mukubaza abandi bagize akazu k'amatora kugira bamenye uko ayo makarrata yaje muri ako kabweta mu nyubakwa barimwo. Parake yamukatiye umunyororo w'imyaka 10 hamwe n'amande ya 4000.000 fbu.

Urwo rubanza ubwonyene rwagiye mu mwiherero kandi inyuma y'iminuta mikeyi, aho ku rusoma, sentare yashikirije ko urubanza rugarutse muri sentare atansiguro zitanzwe.

## *I.3. ISHUSHO Y'UBUTUNGANE (Ibikurikira urupapuro 8)*

**Urubanza rw'ikibiriraho muri komine Rutana, intara ya Burunga**

Ku wa 27/8/2025, sentare nkuru ya Rutana, mu ntahe y'icese y'urubanza rw'ikibiriraho, yahanishije Emmanuel Manirambona, avuka ku mutumba Gihofi, zone Bukemba, komine Rutana, intara ya Burunga, umunyororo w'amezi 6 hamwe n'ihadabu ry' 1.000.000fbu yagirijwe gukora urudandazwa rw'inzoga zitemewe n'amategeko. Yahagaritswe afise ibidumu 4 kimwe cose kirimwo l 20.

# *II.UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*

## *II.1. UBURENGA NZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE*

#### *II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'AKAGWI K'IMBONERAKURE*

**Umuntu umwe yishwe muri komine Mukaza, intara ya Bujumbura**

Ku wa 26/8/2025, ku bitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge, komine ya Mukaza, mu ntara ya Bujumbura, Thierry Niyibizi, afise imyaka 35, avuka ku mutumba Rubirizi, zone ya Muyira, afise abana 4 yarapfuye ahejeje gukubitwa n'Imbonerakure.

Kubwo uwavyiboneye, ku wa 18/8/2025, Thierry Niyibizi, agarutse iwe, yarashwanye na bamwe mu muryango wiwe hanyuma umugwi w'Imbonerakure zo ku mutumba wiwe, zirongowe n'umukuru wazo Joel Ndindakaha, batazira "Mburu", zarashitse zica zitangura ku mukubita, zimwagiriza gushaka guturubika abaryango biwe. Yarakubiswe gushika aho ata ubwenge, atanumwe ashobora kuza kumutabara. Kubwo ivyo vyabona nyene, ababanyi barahashitse baca bamutwara vyihuta ku bigo c'ubuvuzi, nko kuvyo kwa Claver hamwe n'Isororezo, atakivamwo. Yaciye ajanwa kandi ku bitaro vy'abasirikare vy'iBujumbura aho yitabiye Imana. Umuryango wiwe hamwe n'abamwegereye basaba ko ubutungane bwokora.

#### *II.1.1.2. ABANTU BISHWE N'ABICANYI BATARAMENYEKANA*

**Ikiziga kimwe catowe muri komine Rwibaga,intara ya Bujumbura**

Ku wa 26/8/2025, ku nkengera y'uruzi Mugere, ku gacimbiri Gatobo, zone Mayuyu, komine Rwibaga, intara ya Bujumbura, ikiziga c'umugabo atamenyekanye afise imywka iri hagati ya 50 na 60, caratowe. Kubwo ivyabona vyaho, ikiziga cari gifise ibikomere ku mutwe hamwe no ku jisho ry'uburyo bituma bibaza ko abamwishe bamukubise ubuhiri imbere yo kumwicira ku nkengera y'urwo ruzi. Ivyabona vyacu vyongera ko muaitanteri wa komine Rwibaga, Frederic MANIRAKIZA yahashitse kugira avyibonere azananye n'inyamiramabi, Leopold MANIRAKIZA. Musitanteri yafashe ingingo ko ikiziga gitwarwa ku bitaro vy'iMukike.

## *II.1.1.2. ABANTU BISHWE N'ABICANYI BATARAMENYEKANA (Ibikurikira urupapuro 9)*

**Ikiziga catowe muri komine Gishubi y'intara ya Gitega**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 25/8/2025 ivuga ko ku wa 23/8/2025 igihe c'isaha 3, ikiziga ca Mpfekurera Mathias, afise imyaka 60, avuka ku mutumba Gasagara, zone Makebuko, ikomime n'intara ya Gitega catowe mu ruzi Ruvyironza, ku ruhande rw'umutumba Jugwe, zone Bukoro, komime Gishubi, intara ya Gitega.

Kubwo isoko ryacu dukurayo, ikiziga c'uwishwe cari gitanguye kubora kandi ryongereko ko uwapfuye ata matati n'amwe azwi, haba mu muryango wiwe canke mu kibano.

Kubwo intahe twatororokanije, aho yabonetse iryanyuma ari muzima hari ku wa 20/8/2025 aho yari yagiye kw'isoko kandi abamwegereye bari barindiriye igaruka ry'iwe biba imfagusa.

Kubwo ivyo babonye aho nyene,womenga uwo mutama yoba yarakubiswe ibuye rinini canke bishoboka ko ari inyundo nini cane.

**Ikiziga catowe muri komine Gishubi mu ntara ya Gitega**

Ku musi wa gatatu ku wa 27/8/2025 hafi igihe c'isaha zitatu, ku mutumba Nyamutobo, zone Nyabiraba, komine Gishubi, intara ya Gitega, ikiziga ca Nyandwi Emmanuel, afise imyaka 60, caratowe muhira iwe, amanitse ku mugozi uri munzu iwe.

Kubwo intahe zatororokanijwe, umuhisi yaribana muri iyo nzu. Ni ababanyi batabaje bamaze kubona ko inzu yagumye yugaye gushika kw'isaha itamenyewe. Kuba yugaye.

Naho ikiziga basanze kimanitse, ibikomere biboneka ku maguro biteye amakenga kukuntu ugorupfu rwagenze neza na neza. Bamwe bibaza ko yoba yarakubiswe imbere yo kumanikwa, ku mvo zo guhuvya amatohoza. Inyamiramabi yahashitse yararavye aca aratanga uruhusha rwo gufuba ikiziga.

**Ikiziga c'umugore catowe muri komine Karusi mu ntara ya Gitega**

Ikiziga c'umugore yitwa Edith, umunywanyi wa CNDD-FDD kandi afise imyaka irenga 45, caratowe mu kinogo ku mutumba w'amavuka wiwe, iNzibariba, muri zone Buhiga yo muri komine Karusi.

Kubwo isoko rishika ry'aho, uwo yishwe yari yaborewe kandi aboroga, ku mugoroba buca atorwa hafi igihe c'isaha 2 z'ijoro, mugihe yari iwe umugabo wiwe atariho ari, Cishahayo Sebastien. Yari amenyereye kuja mu miryango itangukanye igihe cose ashwanye n'umugabo, akahamara imisi myinshi, kubwo iryo soko nyene. Vuba cane, yashaka kuzana abana biwe babiri batoya, ariko ababanyi baramwankiye, babibwira umugabo wiwe aca abahanura ku mureka akore, ariko barabe ko afata neza abana.

Agarutse, hafi igihe c'isaha zitanu z'ijoro, avuye ku murwa mukuru wa Buhiga, yahasanze abo bana 2 gusa bari kwa sekuru na inakuru babo. Muri ico gitondo, ikiziga ciwe catowe mu kinogo aho ibiti binini vyamomowe. Ku rundi ruhande, ibivugwa ugutandukanye vyemeza ko yoba yiketsweko uburozi kandi ko ababanyi bamwanka, bigasigura ko yoba yarishwe n'abantu batazwi. Ariko, ikiziga nticagira ikintu nakimwe cerekana ko yakubaguwe.

## *II.2. UKUBAHANA MURI VYOSE*

### *II.2.1. IHOHOTERWA RIGFATIYE KU GITSINA*

**Agakobwa kamwe yarafashwe ku nguvu muri komine Rumonge, intara ya Burunga**

Ku wa 26/8/2025, ku mutumba Gihwanya, komine Rumonge, intara Burunga N.J, afise imyaka 4, yarafashwe ku nguvu na Havyarimana Marius, afise imyaka 14, umunyeshure wo mu wa 6 kw'ishure shingiro Gihwanya. Uwo yahamagaye umwana aca amutwara munzu idaheze kubaka kugira akore iryo bara. Yaratwawe ku bitaro vyo mu Rumonge kandi uwikekwa ko icaha apfungiwe mw'ibohero rya komisariya ya polisi yo mu Rumonge mu kurindira impapuro zemeza igenekerezo yavukiyeko.

**Umukobwa yafashwe ku nguvu muri komine Mugere, intara ya Bujumbura**

Inkuru yadushikiriye ku wa 27/8/2025 ivuga ko ku wa 23/8/2025, ku mutumba Kavumu zone Muyira, komine Mugere, intara ya Bujumbura, ND Ch B afise imyaka 13, yarafahwe ku nguvu na HARAKAZA Steve, afise imyaka 21, umunyeshure Kw'ishure rikuru rya komine Kanyosha mu gisaka c'indimi mu wa Kabiri.

Ku bwo ivyabona vyaho, umwana yagiye ku mubanyi wiwe hafi igihe c'isaha 2 zo mu gitondo nk'uko yama abikora kandi kubera atanumwe yari ahari atari Steve, yamufashe ku nguvu aca amutegeka ko hamwe yomena ibanga azoca amwica. Umwana yaragize ubwoba kandi ntanumwe yabibariye ivyamushikiye.

Kumugoroba igihe abavyeyi biwe bataha, nyina wiwe yarabonye ko umwana afise ingorane zo kwiyunguruza aca aravuga ivyamubayeko. Yaciye munyuma atwarwa ku kigo SERUKA kugira avurwe. Uwikekwako icaha yarafashwe aca arapfungirwa mw'ibohero ry'iMuyira mukurindira inzira y'ubutungane.

**Umwana yafashwe ku nguvu na se wiwe muri Ntahangwa, intara ya Bujumbura**

Ku wa 21/8/2025, ku mutumba Rukaramu, zone Rukaramu komine Ntahangwa, intara ya Bujumbura A M, afise imyaka 12, yarafashwe ku nguvu na se wiwe bwite Bikorimana Bienvenue. Kubwo amasoko yahoo, igihe vyaba, nyina wiwe Goreth yari ku kazi. Atashe, umwana yaramwiganiye ivyabaye, naho se yari yamuturubika amubuza kuzobivuga. Umwana yaravuwe ku kigo c'ubuvuzi Rukaramu kandi uwagirizwa icaha, yararungitswe mu Kabezi, mw'ibohero ry'intara, kugira habe ingendo y'ubutungane.

**Umuntu yakorewe amabi afatiye ku gitsina komine Matongo yo mu ntara ya Butanyerera**

Ku wa 25 Myandagaro 2025, hafi igihe c'isaha 4 zo mw'ijoro, ku mutumba Kibayi muri zone Mbirizi komine Matongo, intara ya Butanyerera, Nsaguye Barnabe, afise imyaka 70, yarahohotewe n'umugore wiwe Mayange Marie Rose afise imyaka 50.

Kubwo amakuru atangwa n'uwagize ivyago uwo w'imyaka 70 yagirije umugore ko asesagura umwimbu w'ibigori kugira yigurire urwarwa ku murwa mukuru wa Kibayi icatumye kenshi arenga ibigo n'abandi bagabo. Uwagize ingorane avuga ko umugore wiwe yamusimbiyeko amutuka ngo yarakorokewe kandi amukwega n'ibihimba vy'irondoka.

### *II.2.1. IHOHOTERWA RIGFATIYE KU GITSINA (Ibikurikira urupapuro 10)*

Nsaguye Barnabe avuga ko umugore wiwe yamurekuye aruko amuriye amenyo ku kuboko. Bukeye vyaraye bibaye uwamerewe nabi avuga ko yijanye ku kigo c'amagara Kibaribari kwivuza kuko yaguma yumva ubushe mu mavya. Simeon umuyobozi w'ikigo c'iterambere ry'imiryango kandi rusangi iGatara, yemeza inkuru kandi Adomako ko amaze kumviriza abo bubakanye, umugabo yahuye n'ivyo atagomvye kuvuga uwabikoze kandi yasavye ko bovyiyumvikanirako.

**Umugore yakubiswe yongera arakomeretswa n'umugabo wiwe muri komine Mbuye**

Ku wa 21/8/2025, ku mutumba Taba,zone Gasura, komine Kiganda, intara ya Gitega, Ndereyimana Anne Marie, afise imyaka 30, umurimyi yarakomerekejwe n'umugabo wiwe, Nibizi Julius, afise imyaka 33. Kubwo ivyabona vyaho, uwo yagize ivyago yakubiswe n'umugabo wiwe inyuma y'aho amuboneye ariko asoma ubutumwa muri terefone y'uwo mugabo, bwanditswe n'umuhabara wiwe Kanyamuneza Aline. Uwo yarakomeretse mu mugongo aca atwagwa ku bitaro vyo mu Gasura. Uwamukubise yarahagaritswe aca ararekurwa bukeye ahejeje kuriha ihadabu ry'amahera angana na 50.000, mugihe uwakubiswe akiri mu bitaro.

### *II.2.2. UKUBOREZWA IGUFA*

**Umunywanyi wa CNDD-FDD yakubiswe muri komine Karusi, intara ya Gitega**

Ku wa 25/8/2025, hafi igihe c'isaha 4 z'ijoro mu nzu y'ingenzi MANDERA, ku mutumba Rwingoma, zone Buhiga ya komine nshasha ya KARUSI, intara ya Gitega, Bandyatuyaga Alexis umunyamabanga wa zone muri CNDD-FDD iBuhiga yarakubiswe gushika aho amaraso amuca muzuru akubiswe na General Isidore avuka mu yahoze ari komine GITARAMUKA. Kubwo ababibonye baho, uwo yagize ivyago yagiyeyo n'ipikipiki yiwe aca yishurana akagagazo abacungera uwo mu general. Kubwo ivyo vyabona nyene, umugeneral yari muri iyonzu y'ingenzi kandi yari yaje gutora abahanuzwa jamb oba komine. Yaragumije ipikipiki yiwe gushika bukeye bwaho,naho yamuretse agataha mw'ijoro.

### *II.3. UBURENGANZIRA BWO GUSHIKIRIZA IVYIYUMVIRO*

**Uburenganzira kumakuru bucinyizwa, ibinyamakuru vyigenga birerekwa n'indongozi z'uburundi**

Umugwi w'igihugu ujejwe kugenzura ibinyamakuru warabujije ibinyamakuru vyigenga kugira urunani rw'ibimenyeshamakuru ku wa 14/8/2025 ku nkurikizi zo kubura igitoro mu Burundi, Esperance Ndayizeye yarandikiye umuyobozi w'isamirizi Isanganiro, isamirizi yari irongoye urunani ko atamakuru ahari kuri ico.

Ibwirizwa shingiro hamwe n'itegeko rigenga kumenyesha amakuru birarengerwa n'urwego ngenduzi rwategerezwa kubahiriza itegeko kubera ibimenyesha makuru ntibisaba uruhusha rwo kugira urunani ahubwo ruramenyesha gusa ihinduka ry'urutonde rw'ibiganiro.

Ukubuza abamenyeshamakuru kugira urunani si vyo vyonyene kubera gukwirikirana ibintu mu nama nshinga mateka vyaraburabujwe n'amategeko ya Gelase Ndabirabe yasubiyu guterwa nk'umukuru w'inama nshingamateka mu gusaba ko atakinyamakuru na kimwe cigenga gikorera ku bibera mu nama nshingamateka canke ngo gimenye ibiberayo n'aho yoba amakoraniro mu Kigobe.

***II.3. UBURENGANZIRA BWO GUSHIKIRIZA IVYIYUMVIRO (Ibikurikira urupapuro 11)***

Ku wa 27/8/2025 umuhanuzi ajejwe ivyo kumenyesha amakuru mu nama nshingamateka Apollinaire Ndayizeye yarafashe ingingo yo gukura mu mugwi w'abasangiye urubuga whatsapp w'urwo rwego harimwo n'abamenyesha makuru, abamenyesha makuru bamwe b'amasamirizi yigenga kugira ntibazikwigere baronka amakuru ku bikorwa biteguwe n'inama shingamateka.

Umuhari Iteka uributsa inzitizi ku burenganzira bwo gushikiriza ivyiyumviro hamwe n'ikiganiro gihushanye kubera Reta yiharijwe n'umugambwe ishobora kunyura ibintu kandi ikanigira mu meshi intwaro rusangi mu Burundi.

Twokwibutsa ko umushikiranganji wa mbere, uwahoze ari umushikiranganji w'ubutunzi Nestor Ntahontuye yaratomoye ko adashobora gutanga inkuru ku bimenyesha makuru vyigenga ku wa 13 Ntwrante 2025 mugihe c'urunani rw'ibimenyesha makuru kw'ikarata yo kwivurizako CAM.

## *III. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI HAMWE N'IMICO KAMA*

**Imishahara mito cane irahungabanya ubutunzi bw'imiryango bw'imiryango y'abakozi bahembwa ku musi mw'ishirahamwe ry'icayi rya Rwegura**

Abakozi bo ku musi bakora akazi ko kwaha amababi mu mirima y'icayi y'ishirahamwe ryitaho icayi ryo mu Rwegura baridoga ko bahembwa nabi. Pascal Nkundwanabake aserukira abaha amabibi ku musi mu mirima y'icayi ya Rwegura avuga ko bahembwa amahera 150 gusa ku kiro cose c'amababi y'icayi camuwe.

Abona ko ako gahembo ari gato cane afatiye kw'iduga rikabije ry'ibindi vyimburwa kw'isoko. Kubwo iwe, uwamura icayi mu mirima yo mu Rwegura ntagishobora kubeshaho umuryango. Renova Sindayigaya arongoye igisata c'imirima y'icayi c'ishirahamwe amenyesha ko kuva mu ntango z'umwaka turimwo abarenga 1200 baha amababi bamaze guheba akazi baja gukora mu mirima y'icayi c'abigenga aho baronka n'imiburiburi 8 000fbu ku musi.

Afise ubwoba ko atagikozwe kugira bazamure imishahara y'abo bakozi mu misi iza ishirahamwe rizosanga ritagishobora kwaha umwimbu w'icayi. Gilles Mukundwa umuyobozi mukuru w'ishirahamwe OTB avuka ko arajwe ishinga n'ico kibazo kandi yemerera abo bakozi ko mu kiringo kitarenga amezi 3 bazokongera imishahara y'abamura mu mirima y'icayi y'ishirahamwe.